Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Yesu umwigisha mukuru



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: E. Frischbutter; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Yesu yari umwigisha mukuru. Umwigisha adasanzwe. Abantu beshi cane baramwumviriza. Yesu yabasaba kuba abanyabuntu, beza kandi b'abagwaneza. Bamwe barashobora kubanka no kubagirira nabi, ariko Imana irabitwararika.



Yesu yigishije ibintu vyishi. Yavuze ko abigishwa biwe ari umuco ubonesherezа amahanga nk'uko ibuji ribonesha munzu. Mbega ni akahe karusho ibuji izana igihe icanwe mucumba kiri mw'umwiza!

Yesu yaraganiriye n'abantu bagomba kwihora: "Ijisho kurindi, iryinyo kurindi." Ariko Yesu yabigishije uburwaneza, ikigongwe n'urukundo kubansi babo.



Mu gihe ca Yesu, abantu bamwe bamwe biyumva ko ari abagororotsi. Igihe bahaye amahera abakene, baba bafise umuntu aca avuza inzamba kugira ngo abantu bose bamenye ico bakoze. "Mutange mumpisho Imana nayo izobashumbusha," Niko Yesu yavuze.

Yesu yarigishije nk'uko nyene kw'isengesho. Abantu bamwe bamwe basengera hagati mumahwane y'amabarabara kugira ngo abantu bose babibone kandi babumve. Barabesha Imana. Bitwararitse cane ivyo abantu babiyumvirako. Yesu yabise indyadya, abantu babi.

Yesu keshi akoresha ivyaremwe kugira ngo asigure inyigisho ziwe. Nk'akarorero, yarifashishije inyoni hama aravuga ati: "So ari mw'ijuru arazigaburira. Ntimukiganyire. Imana izobaha namwe ivyo mukenera."



“N’aho umwami Salomo yari atunze cane, ntiyari asharije nk’ishurwe rimwe muyari mumirima.” Yesu arabandanya ati: “Nimba Imana yambika ivyatsi vyo mugahinga, mbega ntizorushiriza kwitararika ivyo kubambika namwe?” Yesu yariko yigisha abantu kwizera Imana kuko imenya ivyo bakeneye vyose.

“Niwacira urubanza mugenzawe, ni nko gukura akatsi mujisho ryiwe kandi iwawe hariyo ingigira,” Ni ko Yesu avuga. Birashoboka ko abantu boba baciye batwenga. Ariko bategerezwa kwiyumvira cane kuri ano majambo.



Yesu yavuze ko abantu bategerezwa gusaba Imana ngo ibafashe. Mbega abavyeyi barashobora guha abana babo amabuye igihe bashonje hanyuma bakabasaba umukate? Ntagukekeranya ni oya. Babaha ibintu vyiza. N'Imana niko iha ivyiza abayibisaba.

Yesu, umwigisha mukuru,yari yarabigishije no kubigisha b'ibinyoma. "Bambaye urusato rw'intama," niko Yesu avuga. "Ariko imbere, ni amabingira!" Yesu avuga ko abigisha b'ibinyoma bazobamenyera kuvyo bama.

Muyindi nkuru Yesu yababwiye, Yesu yabasiguriye ko abantu bumvira ijambo ry'Imana bameze nk'umuntu yubatse inzu yiwe k'urutare. Haje igihuhusi giteye ubwoba. Ico gihuhusi giheze, inzu yagumye ihagaze neza.

Ariko umuntu w'ikijuju yubatse inzu yiwe k'umusenyi. Igihe haje igihuhusi gikomeye kigasurira kuri yanzu, inzu yaciye isenyuka kuko umushinge wayo utari ukomeye. Yesu yavuze ko abantu batumvira ijambo ry'Imana bameze nk'uyu muntu w'ikijuju.



Abantu beshi baratangazwa n'amajambo ya Yesu. Ntibari bwumve amajambo nk'ayo. Ico gihe, barumva ko bidahagije kwumva ijambo ry'Imana gusa. Bategerezwa kumwumvira k'umusi k'umusi.

Yesu umwigisha mukuru

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Matayo 5-7, Luka 6

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16